# ISHURE RYO KWIGA BIBIRIYA

## ISEZERANO RYA KERA
## IGICE CA MBERE

**(Gucapura iki gitabo birekuriwe umuntu canke ishengero . Ariko ubundi buryo bwose bwo gusubiramwo ibi bitabo, nko kubigwiza bikwiragwizwe ku bantu benshi, kugikoresha mu gutanga amatangazo canke kukigurisha, ntibirekuwe)**

**Ishure ryo kwiga Bibiriya, Isezerano Rya Kera Igice ca mbere**

Ryateguwe na Rosemary P, Nelson
741 Sunrise Drive, Ripon, WI 54971
rosemerypricenelson@gmail.com

Bachelor of science : indero
Kaminuza ya Wisconsin, Oshkosh, WI, 1972

Umwarimu w'Amashure y'intango, Washburn , WI, 1972-1977
Yize Amashure 14 muri Columbiya Graduate School of Bible and Mission,
Columbiya, S.C. Fall, 1977

Umumenyeshamakuru/Umurongozi, Oshkosh Northwestern
Berlin and Ripon Bureaus, 1978-1996
Yarabaye mu mabanga atandukanye mw'ishengero kuva mu 1972 kugeza ubu, ririmwo amashure ya Gikristo, Igikogwa c'Abagore, Amasengesho, kwigisha Bibiriya no kwigisha Ishure ryo kuw'Imana

**Casubiwemwo na**

Lois E. Gloyd
421 E. Jackson Sreet, Ripon, WI 54971
legloryd@gmail.com
Impamyabushobozi y'Igice ca mbre ca Kaminuza : Computer Technology
1991
Moraine Park Technical college
Fond du Lac, WI

Yararonse akazi muri Lutheran Homes of Oshkosh 1991-2015

Yanditse ibintu vyinshi vyasohotse mu binyamakuru :
Country Magazine
Ruhuhuma/Ndamukiza 1999
Green Points Magazine
Mu gihe c'agatasi ka 2005 no mu gihe c'impeshi ya 2013
Upper Room Devotional Guide
Nyakanga/Mukakaro 2002 na Ntwarante/Ndamukiza 2010

Uwafashije mu gutangura **Sweeter than Honey Ministries** muri 2012
Intumbero yacu ni ukwigisha inyigisho zo gutangura za Bibiriya nk'Ijambo ryayo,
Kugira ngo dushobore gukura « tugize imitima misha, kugira
tumenye ivyo Imana igomba » mu buzima bwacu
*« Ewe kuntu amajambo yawe angegera mu magage. Arusha ubuki gusosa mu kanwa kanje » Zab 119:103*

# Isezerano rya Kera Igice ca Mbere

5

12

5

5

12

39

Isezerano rya Kera rigizwe n'Ibitabo 39. Uburyo bwiza bwo kubifata mu bwenge no kubitahukigwa n'ukubigabura mu bice. (Vuga cane uti : 5, 12 … 5, 5, 12)

• Hariho ibitabo 5 vy'**amategeko** (Itanguriro, Kuvayo, Abalewi, Guharura, Gusubira mu vyagezwe). Itanguriro ni inkuru y'intango y'isi n'inkomoko ya Adamu kugeza kuri Aburahamu no kuremwa kw'ihanga rya Isirayeli. Ibitabo bindi bine bishimikira ku vyagezwe Mose yahawe. ( Kuvayo – Gusubira mu vyagezwe)

• Hariho ibitabo 12 vy'**amateka (Inkuru)** (Yosuwa, Abacamanza, Rusi, 1 Samweli na 2 Samweli, 1 Ngoma na 2 Ngoma, Ezira, Nehemiya, Esiteri). Ibi bitabo bivuga cane kw'ihanga rya Isirayeli. Imigisha yabo, ingorane vyabo, abarongozi babo, inkuru zabo mu bihe bitandukanye. *Ihanga rya Isirayeli n'umuryango wa Kristo biboneka muri ibi bitabo.*

• Hariho ibitabo 5 **vy'ubwenge n'indirimbo** (Yobu, Zaburi, Imigani, Umusiguzi Indirimbo ya Salomo). Vyanditswe mu bihe vy'Abami ba mbere n'aba kabiri ba Isirayeli kandi birimwo ubwenge bwinshi,bushobora kuvugwa mu bihe vyiza muri kahise ka Isirayeli kandi harimwo amashimwe, amahame mbere no guhimbaza Imana.

• Hariho ibitabo 5 **vy'abavugishwa bakuru** (Yesaya, Yeremiya, Gucurintimba kwa Yeremiya, Ezekiyeli na Daniyeli). Vyitwa ibitabo vy'abavugishwa bakuru kubera uburebure/ubunini bw'ivyo bitabo, atar'uko arivyo bifise akamaro kurusha ibindi. Ibitabo vy'ubuvugishwa 17 vyose n'ivy'ingirakamaro. Ariko ibitabo bitatu muri vyo, ukuyemwo Gucurintimba kwa Yeremiya na Daniyeli bifise ibice vyinshi kuruta Ibitabo vy'abavugishwa Batoya.

• <u>Hariho Ibitabo **vy'Abavugishwa batoya**</u> (Hoseya, Yoweli, Amosi,Obadiya, Yona, Mika, Nahumu, Habakuki, Zefaniya, Hagayi, Zakariya na Malaki). Bifise ibice bigufi-bigufi ariko ibirimwo bifise akamaro nk'Ibitabo vy'abavugishwa Bakuru

<u>**Igikogwa co gukora!**</u> Vuga ibitabo vyo mw'Isezerano rya Kera buri gice mu gihe caco!

Ibitabo vy'amategeko 5 Ibitabo vy'Ubwenge n'Indirimbo 5

Ibitabo vy'Amateka 12 Abavugishwa bakuru 5

Abavugishwa bato 12

• *Kuki 5 na 12 vyanditswe ibubamfu* na 5,5, 12 *bikaba vyanditswe iburyo?* Inkuru zo mw'Isezerano rya Kera ziri mu bitabo 17 bitangura. Ibindi bitabo 22 (ubiteranya uku 5, 5, 12) birimwo inkuru ya Isirayeli. Biragaragara ko bivuga ivyabaye. Ibi biri mu Gice ca ll c'ibi vyigwa vya Bibiriya.

• **Ibihe 8 vya kahise.** Kugira ngo utahure Isezerano rya Kera, z'uribuka ibi bitabo 17 biri i bubamfu vyongegwako ibi bindi 22 biri i buryo. Itegereze neza uburyo vyanditse mu gihe uriko urabisubiramwo. Gusobanukigwa Bibiriya biroroha iyo ibi bitabo ubitahuye mu bice.

## Ibihe 8 vy'inkuru za Isirayeli zuzura mu buryo butatu:

- Gushira ku rutonde igihe n'ibitabo bigahura
- Kuraba kw'ikarata aho izi nkuru zabeyeye, n'abagiye babivugako
- Kuraba ibi ivyabaye n'inkuru nyamukuru canke urutonde gw'ibikogwa vyagiye biraba muri ico gihe. Aha tuzoshimikira cane ku vyavuzwe kuri Yesu mw'Isezerano rya Kera naho vyashitse mw'Isezerano Rishasha. Rimwe na rimwe, ibi vyanditswe bimugaragaza uwo ari we canke bikamuvuga mu buryo bufobetse.

Nk'Umwarimu, itegereze neza ubwa gatatu mw'Isezerano Rishasha hanyuma ufate ingingo uburyo ushaka gukoresha iki gice. Umwarimu arashobora kugira imigwi mito mito kandi agaha umugwi uwariwo wose uburenganzira bwo gutora inkuru zo mw'Isezerano rya Kera zivuga kuri Kristo. Igihe naba muri Afirika y'Ubuseruko nigishije ibice bibiri vya mbere gusa , maze nsaba abarongozi b'Amashengero/Amashure kwiga igice ca gatatu kugira kibafashe mu gutegura ivyo basigura.

Igihe uriko urigisha igice ca mbere, vuga izina ry'igihe c'inkuru, ubwire abanyeshure basubiremwo n'imiburiburi ibimenyetso nka bitatu vyo muri iyo nkuru. Igihe cose ugire utangure kwigisha igihe gishasha inkuru, bwira abanyeshure basubiremwo ibimenyetso vy'igihe ic'arico cose bahejeje kwiga bongereko n'ico bagire batangure.

Uriko urigisha abanyeshure, gerageza kubwira abanyeshure ibintu vyose bishobora kubafasha muri iyo nkuru. Akarorero, mu gihe ca mbere, nababwiyeko ko hari ibice 11 gusa twize, ariko uburebure bw'iki gihe ntibuvugwa kumwe n'abahinga mu vya  Bibiriya. Bamwe bavuga imyaka 2000, abandi bakavuga ko irenga. Ngaha ni vyiza ko ufasha abanyeshure uko uvyumva ariko udashikuje.

*Icitondegwa : Amatariki yo mw'Isezerano rya Kera aharugwa umanuka. Akarorero, 1440 BC (Imbere ya Kristo) Umanuka uza igihe Kristo yavukiye arico 0 . inyuma yuko avutse, ibihe biharugwa uduga, igihe apfa hari mur 33 AD ( Iyi mpfunyapfunyo y'amajambo yavuye mu Kiratini, bisigura «Anno Domini canke Umwaka w'Umwami Wacu»)*

*Igihe ca Mbere c'Ivyabaye Kera citwa:*

## IGIHE C'ITANGURIRO

Itanguriro igice 1-11 : Itanguriro ry'Igihe

Iremwa

Kugwa

Umwuzure

*Igice ca Kabiri c'Ivyabaye kera citwa*

## IGIHE C'IBISEKURUZA

Itanguriro igice ca 12-50, 2000 kugera mu mwaka 1800 Imbere ya Kristo

Aburahamu

Isaka

Yakobo (yacitse Isirayeli)

*Igice ca Gatatu c'Ivyabaye kera citwa :*

## ISIRAYELI IHINDUKA IGIHUGU/ IHANGA

Kuvayo kugeza mu Gusubira mu vyagezwe, 1800-1400 Imbere ya Kristo

Aho niho usanga

Kuyerera mu Bugaragwa. 1440 kugera 1400 Imbere ya Kristo

Egiputa

Mose

Kuyerera mu Bugaragwa

Amategeko

*Igice ca Kane c'Ivyabaye kera citwa*

## GUHINDURA NO KUBA MU GIHUGU C'ISEZERANO

Yosuwa, Abacamanza, Rusi, 1400-1100 Imbere ya Kristo

Vuga amazina y'ibitabo bitatu nk'ibimenyetso vy' Amateka

Yosuwa

Abacamanza

Rusi

*Icige ca Gatanu c'Ivyabaye Kera citwa*

## UBWAMI BWIYUNZE

Samweli 1,2, Ingoma 1 Ingoma na 2 Ingoma 1-9, 1 Abami na 2 Abami 1-11, 1100 kugera mu 931 Imbere ya Kristo

Sauli

Dawidi

Salomo

*Igice ca Gatandatu c'Ivy'Amateka citwa*

## UBWAMI BWICIYEMWO IBICE

1 Abami 12 kugeza 2 Abami 25, 2 Ingoma 10-36
930 kugeza 722 Imbere ya Kristo. N'Ubwami bwa **Isirayeli**
930 kugeza 586 Imbere ya Kristo. Ni Ubwami bwa **Yuda**
**Isirayeli** bwarongowe n'abami 20 bose babi, imiryango 10, kandi bwitwa Ubwami bwo mu Bumanuko
**Yuda** bwarongowe n'abatware 20: abami 19 n'umwamikazi Umwe, kandi bwitwa Ubwami bwo mu Buraruko kandi bwari bugizwe n'imiryango ibiri gusa, Yuda na Benyamini. Umuryango wa Yuda ni kirumara kuko Dawidi na Kristo ni wo bakomokamwo

*Igice c'Indwi c'Amateka citwa*

## IGIHE C'UBUJA

Ezekiyeli, Daniyeli, 605 Imbere ya Kristo, Kugeza 538 Imbere ya Kristo
Ezekiyeli
Daniyeli
Bose babaye i Babuloni kandi ni nayo bandikiye ibitabo vyabo.

*Igice c'Umunani citwa*

## IGIHE CANYUMA C'UBUJA


Ezira, Hehemiya, Esiteri, 538 kugeza 444 Imbere ya Kristo
Ezira
Nehemiya
Esiteri
Ibi bitabo vy'Amateka bitangura bivuga inkuru z'abantu 50.000 basubiye mu gihugu. Raba kw'ikarata kugira utahure ukuntu igihugu cabo cabaye gito ugereranije n'igihe Ubwami bwari bumwe butaricamwo kubiri

MAZE HAHERA IMYAKA AMAJANA ANE IMANA IRI MU GACERERE ITAVUGANA N'UBWOKO BWAYO IMBERE Y'UKO ISUBIRA KUVUGA, YASUBIRIYE KUVUGIRA MU KANWA K'UMUVUGISHWA YOHANA ATI «MUTEGURE INZIRA Z'UWUGIRE AZE»
IMANA NIYASHITSA ISEZERANO RYA MESIYA MURI KRISTO YESU.

## IKARATA Z'AMATEKA YA ISIRAYELI

Mu gihe URIKO urigisha, koresha ikaranu mu kwerekana ibintu ngirakamaro kandi ugire ico uvuga ku mazina y'ibihugu uko vyitwa n'aho biri ubu n'igituma bivugwa.

## ISI YO MW'ISEZERANO RISHASHA



# ISI YO MU GIHE C'ISEZERANO RISHASHA





Kumbure amazina ashobora kumenyekana muri iyi karata ni Yerusalemu na Siriya gusa. Imbere y'uko Isirayeli ihinduka igihugu, igihugu ca Isirayeli citwa Kanani kandi cari kibamwo abantu b'ubwoko butandukanye aribo batinze baba aansi b'Abisirayeli. Bumwe mu bwami bwari bukomeye yari Egibuta, Siriya na Babuloni( Umugwa mukuru wa Babuloni uri kw'ikarata ndangabihugu). Mu nyuma, Ubwoko bwa Isirayeli bwatwawe n'abandi bami nk'Abamedi/ Abaperesi, Abagiriki n'Abaroma.

# IGIHE C'AMATANGURIRO (Igihe ca 1)

Itanguriro ry'Igihe kugera 2000 Imbere ya KRISTO

Itanguriro 1-11





Abashakashatsi bwamwe bavuga ko Umurima wa Edeni wari hagati y'inzuzi Tigiri na Efurate. Igihe ca mbere c'amateka y'isi gihera aha. Kandi n'igihe ca Baburoni n'Ubuperesi.

## IGIHE C’IBISEKURUZA (Igihe ca 2)

2000 gushika 1800 Imbere ya Kristo

Itanguriro 12-50




Iyi karata iratwereka Uri y’Abakaludaya kuko ariho Abarahamu yatanguriye ubuzima kandi niho igihe ca kabiri c’amateka ya Isirayeli gitangurira. Inyuma yaho, Aburahamu na Se wiwe Tera baravayo baja ku mugwa mukuru w’igihugu c’Iharani amaja mu Bumanuko. (Itangurirro 11:27, 32). Aburahamu yahamagawe n’Imana mw’Itanguriro 12 ngo agende aje mu gihugu Imana izomwereka. Cari igihugu c’i Kanani, twabibonye kwi karata yo mw’Isezerano rya kera. Imigwa mikuru nka Shekemu, Beteli, Ayi na Heburoni biri muri iki gihugu, igihugu ca Egiputa, Ubwami bwari buri ico gihe harimwo Kanani na Egiputa ni naho Igihe c’Ibisekuruza catanguriye. Mw’Itanguriro 12-50.


# ISIRAYELI IHINDUKA IGIHUGU (Igice ca 3)

1800 kugeza 1400 Imbere ya Kristo

Harimwo KUYERERA MU BUGARAGWA

1440 kugeza 1400 Imbere ya Kristo. Kuva mu gitabo co Kuvayo

Gushaka mu gitabo co Gusubira mu Vyagezwe




Igihe c'Amateka ya Isirayeli gitangurira muri Egiputa, aho ab'Isirayeli bamaze imyaka 400. Vyinshi muri ibi bitabo bine( Kuvayo, Abalewi, Guharura no Gusubira mu Vyagezwe) bivuga ivyabereye mu bugaragwa, bikanavuga cane ibijanye no kuyerera mu Bugaragwa kwab'Isirayeli. Ramusesi, Gosheni na Sukoti ni ibisagara vyo muri Egiputa. Umurongo usa n'umuhondo werekana inzira baciyemwo bariko barayerera mu bugaragwa

## GUHINDURA NO KUBA MU GIHUGU C'ISEZERANO (Igice ca kane)

1400-1100 IMBERE YA KRISTO

Yosuwa, Abacamanza, Rusi




Igice ca kane c'Amateka ya Isirayeli yatwagwa na Yosuwa yari yasubiriye Mose. Yari umugabo w'Ijunja n'ijambo, niwe yirukanye benshi mu bansi bab'Isirayeli bariko barinjira mu guhugu c'isezerano. Igihugu caciye kigabugwa bivanye n'uko imiryango y'Abisirayeli ingana ariyo 12 ( Guharura 26 : 52) Iyi karata hari ukuntu imeze. Umuryango wa Yuda niwo wari ufise abantu benshi. Iyi miryango yahabwa isi bivanye ku gitigiri c'abantu binavanye kandi nuko umuryango kanaka basavye kuba ahantu runaka. Imiryango ya mbere yahawe mu gice co mu buseruko, imbere yuko baja mu gihugu c'isezerano, n'igice c'umuryango wa Manase, Gadi na Reyubeni. Iyindi miryango icenda n'icakabiri baronse ubwa nyuma.

# UBWAMI BW'UNZE UBUMWE

1100 kugera 931 Imbere ya Kristo
1&2 Samweli kugera 1 Abami 11
na 1 Ingoma kugeza 2 Ingoma 10




Igice ca gatanu c'Amateka ya Isirayeli kivuga ku Bami ba mbere ba Isirayeli barongoye imiryango yose ukw'ari 12. Iyi karata igaragaza agace kose umwami uwariwe wese yatwaye. Isirayeli yabaye mu « bihe vyiza « ku ngoma aya Salomo.

## UBWAMI BUCIKAMWO KUBIRI

930 kugera 722 Imbere ya Kristo n'Ubwami bwa Isirayeli
930 kugera 586 Imbere ya Kristo n'Ubwami bwa Yuda
1 Abami 12 kugera 2 Abami 25
2 Ingoma 11-36




Igice ca Gatandatu c'Amateka ya Isirayeli kivuga ku kwigabura kw'igihugu ca Isirayeli ikavamwo ibihugu bibiri. Vyitwa ab'Isirayeli, imiryango cumi yo mu buraruko, n'imiryango ibiri yo mu bumanuko igaca yitwa Yuda.

## IGIHE CO KURUHUKA (Igice c'7)

605 kugera 538 Imbere ya Kristo

Ezekiyeli na Daniyeli





Ubwami bwo mu buraruko bwari bwaramaze gushigwa mu buja n'ubwami bw'aba Ashuri muri 722 Imbere ya Kristo. Inyuma Umuryango wa Yuda nawo ujanwa mu buja n'Ubwami bw'i Babuloni. Habayeho ibihe bitatu vyo kujanwa mu buja. Batwawe 605 Imbere ya Kristo : igihe Daniyeli na bagenzi biwe batwagwa, 597 Imbere ya Kristo ; igihe Ezekiyeli n'abandi bajanwe n'abandi nk'inyagano, n'inyuma yaho hari abari basigaye baratwawe muri 586 Imbere ya Kristo. Iyi karata yerekana inzira ab'i Babuloni baciyemwo.

## **INYUMA YO KUBA MU BUJA**

538-444 Imbere ya Kristo

Ezira, Nehemiya, Esiteri




Kuva 538 kugera 536 Imbere ya Kristo, imyaka 70 inyuma yo kuba mu buja, ab’Isirayeli 50.000 nibo basubiye mu gihugu cabo. Barungitswe ahantu hatonya. Raba ingene hari hato ugereranije n’uko igihugu c’isezerano bwite cangana.

# KUMENYA ISEZERANO RYA KERA

Hari inyungu ibintu vyinshi vyakama rodukura mw'Isezerano rya Kera igihe turisomye dushobora:

- Gutahura neza inkoro yo mw'Isezearano rya Kera n'insiguro yavyo iboneka mu gitabo c'Abaheburayo, Yuda, Ivyahishuriwe Yohana no mu bindi bitabo vyo mw'Isezerano Rishasha.
- Gutangura guhishura ubutunzi bwinshi mu vyanditswe no mu butumwa bwiza bwatanze umuco mw'Isezearano rya Kera.
- Kubandanya gutahura neza ico Imana iri co n'ivyo yakoze, n'ivyo ikora mu bantu bayo.
- Kwunguka kwizera kuboneka ku Ntwari zo mw'Isezerano rya Kera.
- Kugira insobanuro ikwiye kandi yimbitse ku nkuru yo gucungugwa hagati y'Imana n'abantu bayo, ikabandanya imenyekana na bugingo n'ubu.
- Gutangura kumeya urugero tugezako mu kuvuga, ingene twifata, ivyo twibwira canke twumva impinduka iva ku Mana n'ingene itwemera
- Kwiga amashure yo kwizera – kwizera kw'abantu, ariko gukomeye nk'amabuye-kwakomeje abizera bo mw'Isezerano rya Kera kandi gushobora kudukomeza na twebwe mu ngorane zo mu buzima ku munsi ku munsi.

Vyavuye muri *«Bibiriya Yesu yasomye»,* canditswe na Philipp Yancy, copyright 2002

## IGICE CA GATATU MU BIHE 8 VY'AMATEKA

(Uruhara gwawe rurakenewe)

Itegure gusangiza abandi ivyo wize mw'Isezearano rya Kera wahawe. Uraza kubona ingene Kristo n'ibimwerekeye vyose ari umwuzuzo w'ivyanditswe mw'Isezerano rya Kera. Umuntu umwe mu mugwi wawe ategerezwa kwitegura gusangiza no kwerekana ivyo mwakuye mw'ishuri. Vvoba vyiza cane uramutse uhishuriwe ibintu bitavuzwe hano.

## IGIHE C'AMATANGURIRO (1)

Itanguriro ry'igihe : Itanguriro 1-11 (2000) Imbere ya Kristo kugera 1800 Imbere ya Kristo

**Kurema: Ibice 1-2**

Soma Yohana 1:1-1: Havuga ko umuremyi ari nde? Ameze gute ? Hari ibindi vyanditswe vyo mw'Isezearano Rishasha woba uzi bivuga ko Kristo ari Umuremyi?

*Uzohore wibuka ibi uhejeje icigwa cose*

**Kugwa: Ibice 3-4**

Soma Abaroma 5:12-19. N'izihe ngaruka zabayeho Adamu amaze gucumura? Ni nde Adamu wa kabiri, yoba yamaze iki? Itanguriro 3 :15 ni ubuvugishwa buvuga Kristo yabambwe, kuneshwa kwa Satani, na Kristo anesha urupfu. Ingene yamukomoye ku gatsintsiri n'ingene yamenye Satani umutwe.

Yohana 19:28-30 ; 1 Ab'ikorinto 15:3-8 ; Ivayhishuriwe Yohana 20:10

**Uburere mboneragihugu: igice ca 4**

Soma Ivyahishuriwe Yohana 21:1-5. Ni gute uburere mboneragihugu butandukanye n'ubwa mbere ? Ni gute Imana Kristo Ibizamwo ? Naho Edeni yakuweho, muri kazoza hazobaho isi nsha n'ijuru risha.

**Umwuzure: Igice ca 5-9**

Nowa n'umuryango wiwe bazigamiwe mu bwato. Ni gute Kristo asa n'ubwato? Raba amajambo nka «muri We» mu gitabo c'Abanyefeso 1:3-14. Ni gute kuba muri we bikiza, bituma tuzigamwa kandi bigatuma turonka umugisha? Ni gute Nowa ari akarorero ka Kristo ? Soma Matayo 7:13-14. Ni gute iyi mirongo igereranywa n'ivyaberere mu bwato?

**Umunara w'i Babeli n'ugutandukanywa kw'indimi: igice ca 11-11**

Soma Itanguriro 10:3-11. Kuki Imana yatandukanije indimi? Ni nde yasubiriye gushira hamwe Abayuda n'Abanyanyamahanga ? Soma Abaheburayo 3:6. N'ikihe kindi kintu usanga mu b'Anyefeso3 ? Ni nde Azosubira kubahuza? Yohana 17 :20-23

# IGIHE C'IBISEKURUZA (2)

Itanguriro 12-50, 2000-1800 Imbere ya Kristo
Wibuke kurondera iyindi mirongo mw'Isezerano rishasha ivuga aho ba Sogokuruza bahurira na Kristo, namba ubishoboye. Ntiwibagire kubisangiza abandi.

**Aburahamu** (Ibice vya 12-23, 25:1-18)
Aburahamu yamenyekanye cane muri Bibiriya kubera kwizera kwiwe. Raba mu gitabo c'Itanguriro 12:6 no mub'i Galatiya 3:6-9

Aburahamu yizeye nde? Natwe twizera nde, kandi yashikije amasezerano yasezeraniye Aburahamu ko azovyara? Yesu hayaye Aburahamu gute izina rihambaye? Yesu n'uruvyaro gwa Aburahamu gute? Itanguriro 12:2, Ivyakozwe n'Intumwa 3:25, Ab'i Galatiya 3:16-18.

**Isaka** (Ibice vya 24,25 19-34 ;26-27)
Ni gute ivyabaye kuri Isaka bisa n'ivyabaye kuri Kristo? Itanguriro 22:9-12, Abaheburayo 11: 17-19. Ni gute Aburahamu na Isaka bagaragaza ukwizera kwabo ngaha? Abaheburayo 11:6, Abanyefeso 2:8-9.

**Yakobo** (Ibice 28-37)
Soma Itanguriro 27:27. Yakobo yagiye kwa se aronka umugisha wategerezwa kuba uwa Esau (habaye amayeri). Ni gute Matayo 26:48-49, Luka 22:48 na Yohana 14:6 bahuza iyi nkuru?

Soma Itanguriro 28:12, yarose icuririzo(ingazi) iva mw'ijuru. Soma yohana 1:51. Gereranya ivyo Yesu avuga n'indoto za Yakobo, n'ingene Yesu aboneka nk'uwatoranijwe n'Imana kugira abo mw'isi yose baronke gucungugwa. Uwasobanuye Bibiriya muri NIV we yabivuze uku gukurikira: «Indoto za Yakobo, zivuga Yesu nk'uwatoranijwe n'Imana akaba ari nawe gucungugwa kw'abari mw'isi yose kubonegwamwo, mbere Yesu niwe mw' i Sirayeli w'ukuri.»

**Yosefu na Egiputa** (lbice 37-50)
Ni gute ivyo Yosefu yakoze bisa nivyo Kristo yakoze ? Gereranya Itanguriro 50:20 na Luka 23:34.
Soma inkuru yose ya Yosefu. N'ubuhe bundi buryo asa na Yesu? NI gute yakijije abantu biwe? Yosefu yakijije abantu mu buryo bw'Umubiri. Yesu akora iki? Raba 1 Yohana 5:12-13. Ni ikihe kindi kintu umubonamwo?

# KUMENYA ISEZERANO RYA KERA

*Ndamaze guhura n'aba Kristo benshi basomye Isezerano Rishasha gusa, bashobora kuba barageragejе uburyo bwose, bagasanga rigoye gutahura mbere bagatinda bakabiheba. Abo ba Kristo bambajije, nabishuye nti : Sinibaza ko ishusho y'ibikogwa vy'Imana yuzuye tuyisanga mw'Isezerano Rishasha gusa.*
Vyavuye muri *«The Bible Jesus read»* canditswe na Philip Nancy, copyright 2002

# ISIRAYELI IHINDUKA IHANGA (3)

Kuvayo kugera mu Gusubira mu vyagezwe
1800 -1400 IMbere ya Kristo
Kuyerera mu Bugaragwa
1440-1400 Imbere ya Kristo

**Isirayeli iraguka cane ariko iracinyizwa** (Kuvayo 1)
Mose aravuka, ahinduka umwana w'i Bwami, hanyuma arahunga Egiputa. (Kuvayo 2)
Umwami w'Amahoro ? Yesaya 9 :6, Ivyakozwe n'Intumwa 5:31, Abanyefeso 2:14
Mose Asa na Kristo gute?
Igisaka caka umuriro; Mose asubira muri Egiputa (Kuvayo 4-5)

**Ibiza** (Kuvayo 6-12)
Ni gute ibi biza bisa n'ivyo dusanga mu Vyahishuriwe Yohana 6 na 16? Ni gute umwuzure tubona mw'Itanguriro 7-8 usa n' ishavu ry'Imana? Ni bande badashikigwa n'uburake bw'Imana? Raba 1 Tes 5:9; Abaroma 5:9; 1 Tes 1:10

**Pasika** (Kuvayo 12)
Yesu yari nk'umwagazi w'intama utagira agasembwa. Raba 1 Petero 1:19, Abaroma 5:7. Ibi bisa gute n'ivyabaye mu gitabo co Kuvayo? Ni Umwagazi wa Pasika yacu gute? Yohana 19:36 haravuga ko ata gufa ryiwe na rimwe ryavunwe. Ibi bisa gute n'umwagazi w'intama wa Pasika? Raba Kuvayo 12:46, no mu Guharura 9:12. Ivyahishuriwe Yohana 5:6-10 naho nyene Yesu yari ameze nk'Umwagazi w'intama wa Pasika.

**Kuvayo, ikiyaga Gitukura cigabanyamwo kubiri, Kuvayo 14-16**
Igitabo co Kuvayo gisa gute n'ivyo Kristo yadukoreye? 1 Ab'Ikorinto 10-1-4
Kristo yabaye inzira yacu gute? Yohana 14:6

**Kuyerera mu bugaragwa** ( Kuvayo 16 – Gus. 34)
Yesu asa gute n'inzoka y'umuringa ivugwa mu Guharura 21? Raba Yohana 3:14-15

Izindi nkuru zo mu gitabo co Kuvayo :

**Manu** (Kuvayo 16)
Kristo asa gute na Manu? Yohana 6:31-35

**Ivyagezwe cumi** (Kuvayo 20, Gusubira mu Vyagezwe 5)
Yesu yavuze iki ku bijanye n'ivyagezwe? Raba Matayo 5:17

Izindi nkuru zo mw'Isezerano rya Kera:

**Abatasi 12**. Guharura 13

**Imyaka irenga 38 mu Bugaragwa.** Guharura 13 – Gusubira mu vyagezwe

**Mose aribuka kandi agasubiramwo ivyagezwe.** Gusubira mu vyagezwe

## GUHINDURA NO KUBA MU GIHUGU C'ISEZERANO (4)

Yosuwa, Abacamanza, Rusi ( 1400-1100 Imbere ya Kristo

**YOSUWA**

Muri iki gitabo, Yosuwa arongora abantu abajana mu gihugu c'Isezerano mu mahoro no kuruhuka nk'uko Imana yari yarasezeraniye abantu bayo. Raba Yosuwa 11:23 na 22:2. Ni gute Imana iturongora mu karuhuko yadusezeraniye biciye mur Kristo?
Abaheburayo 4:8-16, 8:31-39, Ab'Ikolosayi 1:20

**Rahabu n'ab'Isirayeli** (Igice ca 2)

Rahabu bihera yinjiye mu ruvyaro gwa Kristo. Yashize agatambara ku kuguru ku mupfakazi kugira ngo akize umuryango wiwe kugira ntibahone ab'Isirayeli baje gutera. Ibi bisa gute n'ivyo Kristo yadukoreye?
Soma Abaroma 5:9, Abanyefeso 1:17, 1 Yohana 1:7

**Yorodani rucikamwo kabiri** (Igice ca 3)

**Gusenyuka kwa Yeriko** (Igice ca 6)

Kristo niwe mushuzo w'abantu bose ( raba 1 Korinto 15:20-23). Bose bahinduka basha muri we. Ni gute ibi bisa n'ivyabereye i Yeriko igihe Imana yabwira ab'Isirayeli gutanga umushuzo ? Bisobanura imiryango ya Yeriko. Ab'Isirayeli bajana iminyago y'izindi ntamabara batsinze. Kuki Imana yasaba umushuzo w'urugamba gwa mbere mu gihugu c'isezerano? Wosanisha gute kuba Kristo ari we mushuzo hamwe n'ibi? (Birashoboka ko hari inyishu nyinshi)

**Ubwiyorobetsi bw'Abagibeyoni** (Igice c'9)

**ABACAMANZA**

Nta mwami

Abacamanza 13

Ivyaha vyishi, gutabaza Imana, igihe co kuruhuka, gusubira gukora ivyaha.

«Umuntu wese yakora ico agomba» Abacamanza 17:6

Abacamanza 7:2 havuga ko Gidiyoni yategerezwa kwizera Imana kugira atsinde urugamba
Ibi bigereranywa gute no muri 2 Korinto 4:7, no mub'Ikoronto 12:9-10?
Ubwoko bwab'Isirayeli bwari bukeneye Abacamanza ngo babakize ivyaha bidahera.
Raba Abacamanza 2:16-17; 17:6

Yesu adukiza ingaruka z'icaha z'ibihe bidashira. Abacamanza bari bafise amategeko, ariko ukuri n'uko Imana ariyo yari umukiza muri bo. Ni gute Kristo ari umucamanza n'umukiza w'ibihe vyose ? Raba 1 Korinto 15:56-58 ; Abaroma 6:11-14

**RUSI**

Mu gihe ca Gidiyoni (canke Yefuta)

Matayo 1 :5 harimwo Rusi mu bisekuruza vya Yesu

Kuki umunyamahanga yisanga mu bisekuruza vya Yesu, kandi kubera iki ibi ari ivy'ingirakamaro mu vyo Kristo yakoze?

Raba ab'Abanyefeso 3:6-11

Umuvukanyi/ inkuru y'umucunguzi

Bowazi yari umuvukanyi/umucunguzi wa Rusi na Naomi. Rusi 4

Ni gute Yesu ari umucunguzi wacu? Ab'Igalatiya 3:13-14

# UBWAMI BWUNZE UBUMWE (5)

1 na 2 Samweli, 1 Ngoma
2 Ngoma 1-9, 1 Abami 1-11

**SAMWELI**

Umucamanza wanyuma akaba n'umuvugishwa wa mbere (1 Samweli 1-8)
1 Samweli 2 : 26 ati Samweli arakura atona imbere y'Uhoraho
Ni gute ibi bisa no gukura kwa Yesu? Raba Luka 2:52

Abantu base ko Samweli ababera umucamanza kuko bashaka Umwami (1 Samweli 8 :7) Yesu nawe abantu banse kumwemera nk'umwami. Soma Yohana 1:9-13 ; Yohana 5:43; Yohana 15:18-19. Ni ne azotubera Umwami ibihe vyose muri kazoza? Ivyahishuriwe Yohana 19:11-16. Ana ashima Imana muri 1 Samweli 2:8-10 kubw'ivyizigiro bizoza. Mariya nawe vyaramushikiye muri Luka 1:46-56. Ugusenga kw'aba bagore gusera he? ni he ubona Kristo ?

**ABAMI**

1100 kugera 931 BC

**SAULI**

Yatwaye imyaka 40 (1112 Imbere ya Kristo kugera 1072 Imbere ya Kristo)
Yavuye ku butegetsi kubera kutumvira. Raba 1 Samweli 15
Ingene utangura s'ivyo bikuru, igikomeye n'ingene uheza. Sauli yatanguye neza
Soma 1 Samweli 9:2 ; 10:23-24
Ni gute yari amahitamwo y'abantu ? Soma Luka 2:7, Yesaya 3:2
Samweli yari yatowe n'abantu, nk'uko twabibonye muri 1 Samweli 10:17-25 nk'uko Anti-Kristo nawe aza mu Vyahishuriwe Yohana 13. Dawidi na Yesu ni Imana yabatoye
1 Samweli 16:7-13, Ivyahishuriwe Yohana 19:11-16

**DAWIDI**

Yamaze imyaka 40 ku ngoma ( 1072 Imbere ya Kristo gushika 1032 Imbere ya Kristo). Dawidi na Goliyati (1 Samweli 17). Dawidi ahunga Sauli, yahindutse umwansi wiwe (1 Samweli 18-26). Dawidi acika umwami (2 Samweli 2:1-5). Isezerano rya Dawidi (2 Samweli 7). Ni gute isezerano rya Dawidi riturongorera kuri Kristo ? Dawidi na Batisheba (2 Samweli 11 kugera 12) Dawidi ubuzima bwiwe bwo mu buto yabumaze aragiye intama za se (1 Samweli 16:11; 17:34). Yesu nawe ubuzima bwiwe bwo mu buto yabumaze mw'ibaziro rya se, raba Mariko 6:3. Bose bahurira ko barangwa n'ubuzima buciriritse kandi bwo hasi. Ntawigeze yigira umuntu w'igihangange. Ariko Imana yarabakoresheje mu buryo bukomeye. Dawidi yari yarimitswe nk'umwami imbere cane y'uko aba umwami. (1 Samweli 16:7-13); 2 Samweli 5: 4). Bose bararagize intambara imbere y 'uko batangura ibikogwa vyabo. Dawidi yagwanye na Goliyati, tubisanga muri 1 Samweli 17. Yesu yahuye na Shetani mu bugaragwa, tubisoma muri Matayo 4:1-11.

**SALOMO**

Yamaze imyaka 40 atwara (1032 Imbere ya Kristo gushika 992 Imbere ya Kristo.)
*Iki gihe citwa igihe c'Amahoro ya Isirayeli.*
Ingoma ya Salomo icira urubanza abagabo bo mu bwami bwa Dawidi
(1 Abami 2:25-26, 32-34, 44-46)
Ubwami bwa Yesu nabwo buca urubanza gute? Soma Yesaya 11:1-5, Yesaya 2:1-5, Ab' Ab'Ikolosayi 2:2-3
Salomo arazwi ko yabaye umwami w'amahoro, soma 1 Ngoma 22:6-9
Yesu nawe yitwa Umwami w'amahoro. Basa gute?
Soma Yesaya 2:3-4 ; 9:6-8; 11:6-9
Salomo yubatse urushengero (1 Abami 5-8)
Ni hehe dusanga Yesu agereranywa n'urushengero, nk'umukate, amazi?
Imana yagiriza Salomo gucamwo ubwami, kuko hageze igihe atangura gusenga izindi mana (1 Abami 11:1-3)

## KUMENYA ISEZERANO RYA KERA

Iyo dutanguye kuronka uburyo dutahura Isezerano rya Kera, Ubutumwa bw'Imana turushirizaho kubutahura. Kubwo guca mu bitubabaza no mu bigeragezo, kugwa no kuvyuka kw'umuryango w'Imana, bidusunikira kwihana icaha, kubabarigwa n'urubanza, ivyizigiro n'agahinda, umunezero no gucika intege. Turushaho gutahura urukundo gw'Imana kuri twebwe, igicapu gikwiye c'Imbabazi zayo no kwihangana. Ibi vyavuye mugitabo citwa « The Bible Jesus Read » canditswe na Philip Nancy copyright 2002

# UBWAMI BUCITSEMWO IBICE (6)

1 Abami 12 gushika mu 2 Abami 25, 2 Ingoma 10-36

Abavugishwa babiri bakuru: Eliya na Elisa. Ni gute Eliya na Elisa bameze nka Yesu? Eliya yagwije amavuta n'agafu k'umupfakazi n'umuhungu wiwe, ahisemwo guha umuvugishwa dukenya twari dusigaye. (1 Abami 17:4). Yesu yagwije (udutsima n'udufi dutatu) dutanzwe n'umwana w'umuhungu, abiha abari baje kumwumviriza ( Yohana 6:1-15)

Ni nde Eliya yazuye mu 1 Abami 17:22
Ni nde Elisa yazuye mu 2 Abami 4:33-35
Yesu yakoze iki muri Matayo 9:24-25 no muri Yohana? Ni gute amasengesho/kwizera Vyagize uruhara?
Elisa yakijije Namani imibembe mu 2 Abami 4:1-14
Ni nde Yesu yakijije muri Luka 17:11-19?
Eliya yagwije amavuta mu 2 Abami 4:1-7
Yesu yahinduye amazi umuvinyu muri Yohana 2:1-10
Ni ibihe bindi bintu ushobora kuronka ? Hari ibindi vyinshi.

**ISIRAYELI, UBWAMI BWO MU BURARUKO**

931 Imbere ya Kristo gushika 722 Imbere ya Kristo

Abami mirongo ibiri bose bari babi

Ni nde mwami yabaye mubi cane mubatwaye Isirayeli ? ( 1 Abami 16:29-33), 1 Abami 21:25).

Mbega umuntu ameze nka Ahabu yokwihana ? ( 1 Abami 21:17-29)

Yesu hamwe n'Isezerano Rishasha bavuga iki kubijanye no kwihana?

Soma Luka 5:31-32, Ivyakozwe n'Intumwa 3:19, 2 Petero 3:9

Ibidasa n'ukwihana kwa Ahabu, Yesu aha gute ukwihaha abantu bose babimusavye?

Vuga imirongo yawe namba ubishoboye

<u>URUTONDE GW'ABAMI BATWAYE ISIRAYELI</u>

Yerobowamu l, mubi, 931-910 Imbere ya Kristo

Nadabu, mubi, 910-886 Imbere ya Kristo

Basha, mubi, 909-886 Imbere ya Kristo

Ela, mubi, 886-885 Imbere ya Kristo

Zimuri, mubi, 885 Imbere ya Kristo

Tibini, mubi, 885-880 Imbere ya Kristo

Omiri( ajagara), mubi cane, 885-874 Imbere ya Kristo

Ahabu, mubi birenze, 874-853 Imbere ya Kristo

Ahaziya, mubi, 853-852 Imbere ya Kristo

Yoramu/Yehoramu, mubi cane, 852-841 Imbere ya Kristo

Yehu, ntiyari mwiza, ariko we yaragerageje ugereranije n'abandi, 841-814 Imbere ya Kristo

Yehowazi, mubi 814-798 Imbere ya Kristo

Yowasi, mubi, 798-782 Imbere ya Kristo

Yerobowamu ll( injagazi), mubi, 793-753 Imbere ya Kristo

Zakariya, mubi, 753 Imbere ya Kristo

Shalllumi, mubi, 752 Imbere ya Kristo

Menahemu, mubi, 752-742 Imbere ya Kristo

Pekahiya, mubi, 742-740 Imbere ya Kristo

Peka ( Injagazi), mubi, 752-732 Imbere ya Kristo

Hosheya, mubi, 732-722 Imbere ya Kristo

Igitabo wosoma *«inyishu Bibiriya itanga ku bibazo vyawe vyose»,* canditswena Elmer Towns

**YUDA, UBWAMI BWO MU BUMANUKO**

930 gushitsa 586 Imbere ya Kristo

Abami cumi n'icenda umwami umwe mubi. Abami bakenya nibo bari beza bonyene

Uziya (Asa) ( 1 Abami 15:9-24)

Yehoshafati ( 1 Abami 22:41-50)

Yehoshafati yizigiye Imana arayumvira no mu gihe ata vyizigiro abantu bari bagifise (2 Ingoma 20:1-30). Yabikoze ygute ? ni guye vyamurongoreye gukora ico Imana ishaka?

Urugamba gwari ugwa nde ( Umurongo wa 15)

Ni gute yesu yizigiye, yongera yumvira ishaka rya Se ? raba Yohana 4:34; 5:38; 6:38; 8:26; 12: 49-50; 14:30-31; 15:10

Yowasi (2 Abami 12:1-21)

Hezekiya (2 Abami 18:1, 20:21)

Yosiya (2 Abami 22:1; 23:30)

Yosiya aravugwa no mu 2 Ngoma. Ni gute imirongo ivuga kuri Yosiya mu 2 Ngoma 35:1-3 no muri 19-21 igaragaza ingingo ngendegwako yo mw'Isezerano Rishasha mu b'Ikolosayi 3:23-24?

Yosiya avugwa ko yari Umwami ameze gute? (2 Abami 23:25)

Yesu n'umwami ameze gute? Ni gute uyu akomeye gusumba Abami bo mw'Isezerano rya Kera? Raba Yesaya 9:6-7 ; 1 Timoteyo 6:15; Ivyahishuriwe Yohana 1:5, 17-14; 19:16

URUTONDE GW'ABAMI BOSE BATWAYE YUDA

Rehobowamu, mubi cane, 931-913 Imbere ya Kristo

Abiya, mubi cane, 913-911 Imbere ya Kristo

Asa, mwiza, 911-870 Imbere ya Kristo

Yehoyashafati (yarajagara), mwiza, 873-848 Imbere ya Kristo

Ahaziya, mubi, 841 Imbere ya Kristo

Ataliya (Umwamikazi), Shatani, 841-835 Imbere ya Kristo

Yowashi/Yehowashi, yabaye mwiza kenshi, 835-796 Imbere ya Kristo

Amaziya, mwiza, 796-767 Imbere ya Kristo

Uziya/Azariya( Injagazi), mwiza kenshi, 790-739 Imbere ya Kristo

Yotamu ( Injagazi), 750-731 Imbere ya Kristo

Ahazi, inkozi y'ikibi, 735-715 Imbere ya Kristo

Hezekiya, AKOMEYE, 715-686 Imbere ya Kristo

Manase, mubi cane, 695-642 Imbere ya Kristo

Amoni, mubi, 642-640 Imbere ya Kristo

Yosiya, MWIZA CANE, 640-609 Imbere ya Kristo

Yehowazi, mubi, 609 Imbere ya Kristo

Yehoyakimu, inkozi y'ikibi, 609-597 Imbere ya Kristo

Yehoyakini, mubi, 597 Imbere ya Kristo

Sedekiya, mubi, 597-586 Imbere ya Kristo

# IGIHE CO KUBA MU BUJA (7) (UBUNYAGANO)

609 gushika 538 Imbere ya Kristo
Ibice bitatu vyo mu Buja i Babuloni
609 Imbere ya Kristo. Ushizemwo Daniyeli n'abagenzi biwe
597 Imbere ya Kristo, Ezekiyeli n'Umwami Yehoyakini n'abandi
586 Imbere ya Kristo. Umwami Sedekiya n'abanyagihugu bose

**EZEKIYELI**

Incamake kuri Ezekiyeli yanditswe na Jay Smith

*Igitabo ca Daniyeli kivuga inkuru, Ubuvugishwa n'ihishurigwa mu buryo butomoye no mu buryo bufobetse. Umuvugishwa Ezekiya yanditse mu mwaka wa 571 Imbere ya Kristo umuntu agerageje kugereranya( aya magenekerezo ni yo kuko iki gitabo kibamwo amatariki atomoye kurusha ibindi bitabo vyo muri Bibiriya). Abantu bavugwamwo cane ni: Ezekiyeli, abami ba Isirayeli, Umugore wa Ezekiyeli, Umwami Nebukadineza, n' «umwana w'Umwami».*

*Iki gitabo canditswe kibura urubanza kuri Yuda, guha ayandi mahigwe yo kwihana Yuda, kuvugishwa ivyo gucungugwa kw'Ubwoko bw'Imana buve mu kinyago i Babuloni. Ezekiyeli ni umuherezi yahamagawe n'Imana gutanga ubutumwa bwayo.*

- *Mu bice 1-3: Imana ituma umusavyi wayo Ezekiyeli. Arahabwa iyerekwa n'imburi ku bwoko bw'Imana bwasubiye inyuma. «Mwana w'umuntu, ngutumye ku Bisirayeli, kw'ihanga ryangararije. Bancumuyeko, bo naba Sekuruza, gushitsa no kur'uyu munsi nyene.» (Ezekieli 2:3)*
- *Ibice vya 4-24: Imana ituma umusavyi wayo Ezekiyeli. Ezekiyeli atanga imburi yo guhona ku bajanwe ari inyagano. Atanga imburi abicishije mu migani itari mike, umwe agareranya Isirayeli nk'umugore w'umusambanyikazi (16:1-63). Yababwiye ko Imana igiye kurandura ubwoko yatoranije. « Ubushakanyi bwawe n'ibizira vyawe vyaragukoze, nik'Uhoraho agize (16:58)*
- *Kuva ku bice vya 25-32: Ezekiyeli avuga ivy'urubanza ku mahanga indwi yasuzuguye YHWH, Imana ya Isirayeli kubera ubuja bashizemwo ubwoko bw'Imana : ko nabo bagiye kubona ingaruka. Ayo mahanga ni : Amoni, Mowabu, Edomu, Filisitiya, Tiro, Sidoni na Egiputa.*
- *Mu bice vya 33-48: Handikwa inkuru ijanye no gucungugwa no gusanura. Aha ntiharimwo Isirayeli y'ubu, harimwo na Isirayeli yo mugihe co kugaruka kwa Mesiya. Urushengero, n'Ubwami bw'Imana mu gihe ca nyuma. Mu gice ca 37, haboneka iyerekwa rizwi cane ry'ikiyaya c'amagufa. «Maze arambaza ati : Mwana w'umuntu, aya magufa yosubira kuba mazima?» Ndamwishura nti «Mwami, niwe wobimenya.» (37:3)*

« Incamake dusanga mu gitabo citwa « Urutonde gwuzuye gw'Incamake za Bibiriya » : Incamake ya Bibiriya : «Ikibuga ca Bibiriya»

Ni gute Yesu ahishugwa muri, Ezekiyeli 1? Mbega Yesu n'Imana muntu mu gica 1?
Mw'iyerekwa ryiwe, Ezekiyeli yahuye na Yesu mu gice ca mbere. Abona
«kandi hejuru y'intebe y'ubwami hariho igisa n'umuntu….uzunguruka…..umuriro umuziguje»
(Ezekiyeli 1:26-27)
Raba Ivyahishuriwe Yohana 1:5, 8, 13-17. Uyu ni we wawundi?

Ezekiyeli aravuga ku bungere babi mu gice ca 34
Ni gute Yesu ari we Mwungere MWIZA ? Raba muri Yohana 10:11-16 ; 1 Petero 5:1-5. Muri Ezekiyeli 34, umuvugishwa ariyamiriza abavugishwa babi, abarongozi atari ab'Imana bibabaye cane kuruta uko bababara ubwoko bw'Imana. Ivyo Yesu yaragize icavuze ku barongozi bamwe bo mu gihe ciwe, bivuge mu ncamake. Raba Luka 11:45-54 Abigisha b'ibinyoma, amakete ya Paulo aragira ic'abivuzeko. Woshobora kuvuga aho ibi vyabereye? Soma Ezekiyeli 36:26-27. C'ubigereranya na 2 Korinto 5:17, Abanyefeso 4:24, Yohana 14: 15-17, 27, no muri Yohana 16:12-16. Tanga insiguro mw'Isezerano Rishasha.

**DANIYELI**

Yesu yavuze kuvyo Daniyeli yanditse muri Matayo 24:15
Imisore ine y'abaheburayo bajanwa i Babuloni ariko babandanya kwizigira Imana (Igice ca 1)
Nebukadineza arota indoto (Igice ca 2)
Itanure ry'umuriro (Igice ca 3)
Imana ikura Nebukadineza ku bwami gushika ayihindukiriye akayimenya (Igice ca 4)
Ikiganza candika ku kibambazi (Igice ca 5)
Daniyeli mu rwobo rw'intambwe (Igice ca 6)
Daniyeli ahimbaza Imana mbere avugishwa ku bizoba kuri Isirayeli (Ibice vya 7-12)
Urabona amahanga ahahaza Isirayeli? Ni ayahe ? Mbega n'ukuboko kwa nde (Ivyo Daniyeli yeretswe) kuri inyuma y'ibi vyose?

Ibi vyanditswe biri hepfo ibihe n'amazina yashikije. Ni gute ibi bikogwa? Birabe.

Imana yo mw'ijuru (2:18), raba Ivyahishuriwe Yohana 11:13
Umuntu wa kane (3 : 25), raba Ivyahishuriwe Yohana 1:12-16
Imana isumba vyose (3:26), raba Ivyahishuriwe Yohana 5:13
Umwami w'ijuru (4:37), raba Ivyahishuriwe Yohana 15:1-4
Imana iriho (6:20), raba Matayo 16:16 ; Abaheburayo 9:14
Umwana w'Umuntu (7:13), raba Matayo 26:64 ; Mariko 14 :62; Ivyahishuriwe Yohana 14:14 (Hari ahandi woronderera henshi. Namba har'aho uzi, havuge)
Umwiza yavuye mw'ijuru (10:5,6), raba Ivyahishuriwe Yohana 1:12-16, Matayo 17:2.
Umwami w'Abami (11: 6), raba Gusubira mu vyagwzwe 10:17 ; Timoteyo 6:15; Ivyahishuriwe Yohana 17:14; 19:16
M.N : Daniyeli n'umuntu yashoboye kugumya ukwizera kw'Abayuda n'igihe yari mu mahanga. Ni gute dutegerezwa kugumya ukwizera rukristo aha mw'isi atari n'iwacu? Tanga inyishu zawe n'ivyanditswe bijanye namba bishoboka. Mbega igihugu cacu canke iwacu ni he? (Ab'Ifilipi 3 :s20-21)

# INYUMA YO KUBA MU BUJA (8)

538 gushika 400 Imbere ya Kristo
Ibice bitatu vyo gutaha
538 Imbere ya Kristo (Zerubabeli)
458 Imbere ya Kristo (Ezira)
444 Imbere ya Kristo( Nehemiya)

**EZIRA**

Umwami w'Ubuperesi Kuro yarungitse Abayuda 50.0000 barongowe na Zerubabeli
Raba Yesaya 44:28 gushitsa muri Yesaya 66:6
Yesaya yanditse hagati ya 740 na 681 Imbere ya Kristo
Kuro abahanura gusubira iwabo 538 Imbere ya Kristo hafi imyaka 100 inyuma yo kwimikwa kwa Kuro muri Yesaya (Ibice 1 na 2)
Barongera bakubaka umushinge w'urushengero, ariko abansi babo barabangwanya bakanabahagarika (Ibice vya 3-6)
Urushengero ruhera gusanura mu myaka 20 (Igice ca 6)
Ezira arungikwa kwigisha ivyagezwe vy'Uhoraho, ajana n'abandi (Ibice vya 7-8)
Ezira arahangana n'ikibazo co kurongora abanyamahanga (Ibice vya 9-10)
Muri Ezira 10:18-24, amazina y'abakoze ivyaha aranditswe. Ni ibiki bizoba ku bantu mu Vyahishuriwe Yohana 20:11-15? Izina ryawe riri he? Ni nde ashoboye kugukiza iri rishavu rizoza ? Raba Abaroma 7:24, 8:1, 1 Abatesalonike 5:9-11

Soma Abaheburayo 9:22. Havuga ko atakubabarigwa ivyaha hatabaye guseseka kw'amaraso. Ni igiki Abayuda babanje gukora imbere y'uko bubaka urushengero? Raba Ezira 3:1-6. Mbega ibi bisa gute n'ivyo mu Baheburayo 9? Ni nde kimazi c'ivyaha vyacu? Abaheburayo 9:11-14. Yatanzwe rimwe gusa, ubu nta kindi kimazi dukeneye! Abaheburayo 10:5-10

**NEHEMIYA**

Umukevyi w'umwami yarongoye abantu kuja gusanura inzitiro z'i Yerusalem, bazubatse mu minsi 52
Gusubirayo no gusanura inzitiro (Ibice vya 1-7)ss
Kwihana n'ikanguro (Ibice vya 8-10)
Gutanga amashikanwa no gutandukana (Ibice vya 11-13)
Nehemiya yogereranwa na Yesu igihe yahamagarira abantu gusanura inzitiro z'i Yerusalemu. Ni gute Yesu asanura ubuzima bwacu biciye mu kimazi ciwe? Biragaragara, arahindura ubuzima bwacu bugacika bushasha. Raba 2 Korinto 5:17. Urashobora kuvuga iyindi mirongo? Ni gute Yesu yubaka ubuzima bwacu ? Vuga intahe yawe.

Amarembo avugwa mu gice ca 3, bisigura Kristo. Hano hari uburyo 3:

- Irembo ry'Intama 3:1: Iri ryari irembo ry'ikimazi. Raba muri Yohana 1:29, no mu Vyahishuriwe Yohana 5. Ni igiki ubona nk'ikimazi cacu?
- Irembo ry'ifi muri 3:3: Ni nde yavuze ko dutegerezwa kuba abarovyi b'abantu? Raba muri Matayo 4:19
- Irembo ryo mu kiyaya : Hari igihe abakristo baca mu biyaya vy'ibibazo
  Soma ku bijanye na Yesu mub'Ifilipi 2:5-8 ; Matayo 27:45-46. Ni ikihe kiyaya ciwe kirekire muri Matayo 27?

**ESITERI**

483-473 Imbere ya Kristo

Inkuru y'umuyudakazi yari umwamikazi i Buperesi yarokoye ubwoko bwiwe mu mugambi wo kubarandura wari wateguwe numw'Agagi yitwa Hamani

Izina ry'Imana ntaho rikoreshwa muri iki gitabo.

I. Ibikogwa vyo mu nzu kwa Ahasuwerusi……………………………………………….1:1; 2:23
   A. Ibirori vyo kwa Ahasuwerusi…………………………………………………………….1:1-22
   B. Esiteri asubirira umwamikazi Vashiti…………………………………………….2:1-18
   C. Morodekayi ahishura umugambi wo kwica Ahasuwerusi……………………2:19-23

II. Umugambi wa Hamani wo kwica Abayuda……………………………………….3:1-4, 17
   A. Hamani, umu Agagi ategura umugambi wo kwica Morodekayi……………..3:1-15
   B. Kwibabaza no kwisonzesha kw'Abayuda……………………………………….4:1-17

III. Ingene Esiteri na Morodekayi bakoranye kugira bakize bene wabo…………5:1-7, 10
   A. Esiteri ategura amazimano ya mbere…………………………………………….5:1-8
   B. Hamani arihenda k'uwo ari we …………………………………………………….5:9-14
   C. Hamani agendagendesha Morodekayi mu gisagara ariko ataryohewe….6:1-14
   D. Esiteri ategura ayandi mazimano , igisabop ciwe, Hamani amanikwa…...7:1-10

IV. Kurokoka kw'Abayuda……………………………………………………………….8:1-10:3
   A. Kwemeregwa kwigwanira n'umunezero vy'Abayuda………………………8:1-17
   B. Intsinzi ikwiye y'Abayuda n'umunsi mukuru wa Purimu utangura……….9:1-23
   C. Gusubiramwo ivyabaye kuri Purimu…………………………………………..9:24-32
   D. Morodekayi agendagendeshwa………………………………………………….10:1-3

Esiteri yari afise ubwenegihugu bubiri, ubw'Ibwami n'Umuyuda. Ni nde wundi wo mw'Isezerano Rishasha ari uw'Ibwami akongera akaba Umuyuda? Raba Yohana 18:33-38.

Ibisekuruza vyiwe muri Matayo 1, no muri Luka 3

(Igisekuruza c'Umwami Dawidi)

Esiteri yahawe igikogwa co kurokora ubwoko bwiwe ( umucunguzi). Vyavuzwe mu gice ca 4:16 ngo namba ari no gupfa kubera umugambi wo kurokora bene wabo ashake apfe. Ni nde wundi yapfiriye ubwoko bwiwe (mbere n'abanyamahanga), ahubwo akazukana intsinzi mu bapfuye? 1 Korinto 15:3-5.

**IMYAKA 400 Y'AGACERERE**

Ata jambo riva ku Mana